INAMA
NKENGUZAMATEKA

Adresse : Avenue du Peuple Murundi
B.P. : 114 Gitega
Tél : (+257) 22 40 50 08
22 40 50 23

Site Web : www.Senat.bi
e-mail : info@senat.bi

commission chargée des questions de genre et relations avec l'Assemblée législative de la Communauté Est Africaine

SENAT

LEG VI / RAP N°91
IGEN 08/5/ 2023

ICEGERANYO C'UMWIHWEZO WAKOZWE N'UMURWI WAMAHO UJEJWE IBIBAZO BIJANYE N'ITERAMBERE RIDAKUMIRA HAMWE N'IMIGENDERANIRE N'INAMA NSHINGAMATEKA Y'AKARERE KA AFRIKA Y'UBUSERUKO KU NTEGURO Y'IBWIRIZWA RIJANYE N'UKWEMEZA AMASEZERANO YO GUFASHANYA HAGATI YA RETA YA TINIZIYA NA RETA Y'UBURUNDI MU BIJANYE N'UBUHINGA BWA NONE N'AMAHINGURIRO, RYATEWEKO UMUKONO I DJERBA MURI TINIZIYA, IGENEKEREZO RYA 20 MUNYONYO 2022

I. INTANGAMARARA

Ku musi wa mbere igenekerezo rya 8 Rusama 2023, abakenguzamateka bahurikiye mu murwi wamaho ujejwe ibibazo bijanye n'iterambere ridakumira hamwe n'imigenderanire n'Inama Nshingamateka y'akarere ka Afrika y'ubuseruko barakoranye kugirango bihweze integuro y'ibwirizwa nkuko ryashikirijwe aho hejuru.

Muri ico gikorwa Reta y'Uburundi yari yaserukiwe n'umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo ugufashanya kw'Uburundi n'ibindi bihugu mw'iterambere, kugira ngo asigurire imvo n'imvano y'ibwirizwa abagize uwo murwi yongere atange umuco ukenewe ku bice bimwe bimwe vy'iryo bwirizwa.

Mu kwihweza iyo nteguro y'ibwirizwa, abakenguzamateka bagize uyo murwi wamaho washikirijwe iyo nteguro y'ibwirizwa ngo uryige, bifashishije inyandiko zikurikira:

1. Ibwirizwashingiro rya Repuburika y'Uburundi;
2. Integuro y'ibwirizwa nkuko yarungitswe na Reta n'imvo n'imvano yaryo;
3. Integuro y'ibwirizwa nkuko ryemejwe n'Inama Nshingamateka;
4. Urwandiko rw'ayo masezerano.

Iki cegeranyo kigizwe n'ibice bikurikira:

1. intangamarara;
2. inyungu y'aya masezerano;
3. ibiri muri ayo masezerano;
4. ibibazo vyabajijwe uwaserukiye Reta hamwe n'inyishu zatanzwe;
5. gusozera.

II.INYUNGU Y'AYA MASEZERANO

Aya masezerano azotuma imigenderanire y'igihugu cacu na Tiniziya itera iyindi ntambwe biciye mu gufashanya muvyerekeye iterambere ry'ubuhinga n'amahinguriro.

III. IBIRI MU NTEGURO Y'AMASEZERANO

Iyi nteguro y'amasezerano yo gufashanya igizwe n'ingingo icenda zikurikira:

- ingingo ya mbere ivuga intumbero y'amasezerano ari hagati y'impande zibiri no kwerekena neza ukuntu ayo masezerano azogenda;
- ingingo ya kabiri idondagura imice uko gufashanya kuzoshimikirako;
- ingingo ya gatatu yerekana ico uruhande rumwe rwose rwiyemeje mw'ishirwa mu ngiro ry'ayo masezerano;
- ingingo ya kane ivuga ishirwaho ry'umurwi ujejwe ishirwa mu ngiro ry'ayo masezerano n'ingene uzokora;

- ingingo ya gatanu yerekana aho uburyo bwo gushira mu ngiro imigambi y'ayo masezerano buzova;
- ingingo ya gatandatu ivuga neza ishirwa mu ngiro, uguhinduka no guhebwa burundu kw'ayo masezerano;
- ingingo y'indwi ivuga ingene amatati yadutse biturutse mw'ishirwa mu ngiro ry'aya masezerano yotorerwa inyishu;
- ingingo y'umunani itegekanya ko mu gihe bikenewe, izo mpande zibiri zishobora kwongeramwo ayandi masezerano mw'ishirwa mu ngiro ry'iyi nteguro;
- ingingo y'icenda ivuga ko izi mpande zibiri ziyemeje kugira ibanga ibiri muri aya masezerano.

IV. IBIBAZO VYASHIKIRIJWE N'INYISHU ZATANZWE

IKIBAZO CA 1

Intangamarara y'iyi nteguro irerekana yuko amasezerano ari hagati ya Repuburika y'Uburundi na Repuburika ya Tiniziya azotuma haba gushimangira no kwongereza imigenderanire mu bijanye no gufashanya mu vy'iterambere ry'ubuhinga n'amahinguriro ku mpande zompi tutibagiye abenegihugu baturuka muri ivyo bihugu.

Nyakwubahwa Mushikiranganji,

a) none mubona mu vy'ukuri izo mpande zibiri (Uburundi na Tiniziya) zizohakura inyungu zingana iki zivuye muri ukwo gufashanya?

b) Ni izihe nyungu zidasanzwe Uburundi buzokura muri ukwo gufashanya mu bijanye n'ubuhinga co kimwe n'amahinguriro?

INYISHU:

a) Uburundi nkuko mubizi ni Igihugu kikiri mu nzira y'amajambere. Ni ukuvuga yuko kugira gitere imbere bisaba ko abenegihugu bakura amaboko mu mpuzu bagakora ataguharura amasaha kugira turwize umwimbu kandi dushobore no guterera ya mbono ya Nyenicubahiro umukuru w'Igihugu cacu ciza c'Uburundi yuko Uburundi bwoba bwabaye igihugu cigaba kikigaburira (pays emergent) mu mwaka 2040, hamwe n'igihugu giteye imbere mu mwaka 2060. Ariko rero Uburundi si izinga

ryirebanga mw'ibahari, kizokenera gufashanya n'ibindi bihugu bigenzi kugira vyungurane ubwenge, ubuhinga n'ubukerebutsi mu bijanye n'iterambere. Ni muri iyo ntumbero rero Uburundi bwagiraniye amasezerano n'igihugu ca Tiniziya mu bijanye n'ivy'iterambere mu buhinga bwa none hamwe n'amahinguriro (développement technologique et industriel). Uburundi ni igihugu gifise ivyo guhingura vyinshi na cane cane ibivuye mu burimyi. Bisigura ko amasezerano yo gufashanya ari ntangere kandi Uburundi buzokwunguka kuko abarundi bakora mu gisata c'amahinguriro n'ubuhinga bwa none bazoronka akaryo keza ko gushika muri Tiniziya kurahura ubwenge mu buhinga badafise hamwe no kwibonera amaso ku yandi uko ibikorwa bijanye n'ivyo bisata bikorwa, hama batahuke i Burundi kubishira mu ngiro. Na Tiniziya ni ko kw'uko izohungukira kuko abanyamitahe bakavamahanga (Tiniziya) bazoshobora gushika mu Burundi gushinga amahinguriro yabo, hama umwimbu uduge, baronke inyungu zabo hama natwe n'abenegihugu baronswe akazi gateza imbere imiryango yabo n'igihugu biciye mu matagisi ayo mahinguriro azoriha mu kigo OBR.

b) Nsa nuwabivuze mu nyinshu yambere ariko novuga mu ncamake ko ubutunzi bw'Uburundi buzokwisunura kubera imitahe mva mahanga hama n'abenegihugu bacu bazohatorera akoyoko mu kuronswa akazi kandi abafise imitahe ntibazogira impungenge zokwimbura vyinshi kuko bazoba bafise aho bihingurirwa aha nyene iwacu i Burundi. Aho rero amahinguriro yo mu Burundi azoshobora kurwiza umwimbu yongere ashore umusesekera mu mahanga. Ivyo bizotuma amahinguriro y'Uburundi aja ku rugero rumwe n'ayandi yo mu karere ka Afirika y'ubuseruko mbere nayo muri Afrika yose.

IKIBAZO CA 2

Mw'ibanze ry'aya masezerano harerekanwa yuko iterambere ry'ubuhinga n'iterambere ry'amahinguriro ari vyo soko ry'iterambere rirama ry'abenegihugu bo muri ivyo bihugu bibiri.

Nyakwubahwa Mushikiranganji,

a) mwotubwira urugero amahinguriro agezeko mu ntererano y'iterambere ry'igihugu cacu?